1000 FBU

# RUMURIKIRANGABO

MENSUEL

N° 161 IKINYAMAKURU C'INTWARAMIHETO Z'UBURUNDI Kigarama 2022





## Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba arashima uko ibikorwa vy'inyubako za gisirikare biriko biragenda

P.11



Biyemeje kubandanya bafashanya mubijanye n'ukwivuna abansi

P.7



Imyimenyerezo n'inyigisho ni inzira yo gukomeza ubumenyi ku bagize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi

P.5

Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants, Avenue Ngendandumwe * B.P. 2705
Tél.: (257) 22 21 30 56 - (257) 22 21 44 73 * Fax: (257) 22 24 25 90 * E-mail: rumurikirangabo@yahoo.fr
Site Web: www.mdnac.bi

## Uruganda rw'ikinyamakuru

**Uwurongoye ikinyamakuru**
Col BIYEREKE Floribert

**Uwurongoye uruganda**
Lt-Col GAHONGANO Emmanuel

**Icegera c'uwurongoye uruganda**
Maj BAZIRUTWABO Herman

**Umunyamabanga**
Maj NININAHAZWE Jean M.V.

**Icegera c'umunyamabanga**
Capt NGENZEBUHORO Alice

**Abanditsi**
Lt-col HAKIZIMANA Prosper
Maj MANIRAMBONA Diomède
Maj NDAYSABA Roger
Maj CIZA Anatole
Maj NGEZAHAYO Serge
Maj MANIRAKIZA Oscar
Capt HABOGORIMANA J.Bosco
Capt BIGIRIMANA Thaddé
Capt NZAMBIMANA Norbert
Capt NINDAGIRIRA Melchiade
Lt BARARUNYERETSE Roger


# Umurundi wese ahamagarirwa kubungabunga amahoro n'umutekano

Ukubungabunga umutekano n'ugukingira imbibe z'igihugu nivyo shingiro ry'inzego z'ukwivuna abansi n' iz'umutekano.Naho biri uko,mu gihe ca none umutekano si igikorwa c'izo nzego gusa , naho ari bo bawubazwa ubwa mbere,harajamwo n'intererano y'umuntu uwo ari we wese. Uno mwaka urarangiye mu gihe ku butaka bwose bw'Uburundi abarundi bari mu mahoro,bakora imirimo yabo ata ngorane. Benshi barabibona ariko hariho bamwe batitaho kumenya igituma umutekano utsimbatara mu gihugu kanaka.

Uno munsi turiko duhimbaza umwaka mushasha twimirije turi mu mahoro, ni akaryo keza ko gushima ukwitanga kw'inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano ,tutibagiye abanyagihugu bafashije izo nzego haba ku gatwe k'umwe umwe canke bakoreye hamwe mu kubungabunga amahoro n'umutekano mu gihugu cacu. Tutirengangije uruhara ntangere rw'izo nzego twavuze mu vyerekeye umutekano, turakwiye kwugurura amaso kandi tukihweza ingene ugutsimbataza umutekano woba umwitwarariko w'igihe cose w'umwe wese ata numwe avuyemwo.

Naho biri uko, uruhara rw'inzego za Leta ari zo igisirikare n'igipolisi ni zo zonyene zatumwe ico gikorwa biciye mu mategeko.Hariho n'izindi ntererano z'iyindi mirwi itandukanye y'imibano atarizo gufata minenerwe uhereye ku muryango w'abantu,ishure, amashengero n'ayandi mashirahamwe yo kubungabunga amahoro. Ivyo bigasigurwa nuko iyo mirwi yose ifise inguvu zidasanzwe mu guhimiriza abantu no kubumvisha ku buryo amajambo yose yerekeye amahoro azana ivyamwa vyiza. Ariko ntanuwokwirengagiza uruhara rw'umwe umwe mu kubumbatira amahoro. Mu vyerekeye umutekano gusumba no mubindi bisata,ukwama umuntu agavye biza ubwa mbere, gurtyo bigatuma umwe wese abona ko afise intererano ntangere mu kubungabunga amahoro, umutekano ugaca usasagara.

Gushira umuntu mu vyo kwitwararika umutekano wiwe ntibisigura ko ari ugukura kuri Leta uruhara rwayo rwo kuwucungera ,ariko n'ukwereka umunyagihugu awukeneye ko yotahura nyabuna ko nawenyene abwirizwa kuwuharanira hisunzwe amategeko y'igihugu.

***Col BIYEREKE FLORIBERT***

# Agafuni kabagara ubumwe ni akarenge

*Uwo mwibutsa usa n'uwabaye ijambo ngenderwako mu bushikiranganji bwo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku kugamba muri uyu mwaka w'2022. Kwakira abashitsi no kugira ingendo z'akazi, imibonano no gutera igikumu ku masezerano yo gufashanya hamwe n'ibikorwa vyo kugarukana amahoro mu makungu vyarafashije cane mu gutsimbataza gufashanya mu vyagisirikare naho vyari bisanzwe vyifashe neza.*




*Abashikiranganji b'ukwivuna abansi b'Uburundi n'Ubwongereza biyemeje gukomeza imigenderanire*

Muri uyu mwaka w'2022, amaze kunyurwa n'akarorero k'umukuru w'igihugu, umushikiranganji w'ukwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba, Ir Alain Tribert Mutabazi, yarashimangiye intambwe ziguma ziterwa mu gufashanya mu vya gisirikare. Yarakiriye arongera araha imibonano abanyacubahiro bafise uruhara rugaragara mu gufashanya mu vya gisirkare. Abashikiranganji bo kwivuna abansi b'ingoma y'Ubwongereza n'igihugu c'Ubuganda baragendeye Uburundi mu biringo bitandukanye bakaba mubo babonanye harimwo umushikiranganji araba ivyo kwivuna abansi mu Burundi. Ivyo baganiriye bikaba vyari vyerekeye ahanini ibikorwa vyo kugarukana amahoro muri Somaliya. Kukaba nkako Uburundi n'Ubuganda nivyo bihugu vya mbere bitanga abasirikare benshi baja kugarukana amahoro muri Somaliya nayo Ubwongereza bukaba bwararungitse umugwi wo gufasha abasirikare b'Ubumwe bwa Afrika muri Somaliya. Uwo mugwi w'abasirikare babongereza washitse muri Somaliya mu 2017 kugira ushigikire wongere ufashe mu vy'ubuhinga urwego rw'Ubumwe bwa Afrika rwari kugarukana amahoro muri Somaliya (AMISOM) imbere y'uko rusubirirwa n'urwego rushasha rwitwa ATMIS rufise intumbero yogusubiza ibikorwa vy'umutekano wa Somaliya mu minwe y'abanyasomaliya ubwabo.

### *Iyindi mibonano*

Umushikiranganji yarakiye arongera araha imibonano abaserukira ibihugu n'amashirahamwe mvamakungu mu Burundi. Yarahaye umubonano intumwa z'Ubufaransa zari zirongowe n'uwuserukira ico gihugu mu Burundi ari kumwe n'uwurongoye abasirikare b'Ubufaransa mu gihugu ca Gabon. Uburundi rero buri mu bihugu birabwa n'abo basirikare b'abafaransa bari muri Gabon kuko akarere baraba kagizwe n'ibihugu bihurikiye mu muryango w'ibihugu vya Afrika yo hagati CEEAC hamwe n'Urwanda nk'uko tubisanga ku muhora ngurukanabumenyi wikipedia.org twisomeye kuwa 6 kigarama 2022. Uwuserukira igihugu ca Misiri nawene yarahawe umubonano n'umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba kugira baganire ibijanye no gufashanya mu vya gisirikare hagati y'ivyo bihugu. Imyaka itari mike iraheze igihugu ca Misiri gitanguye gufashanya n'Uburundi mu vya gisirikare bimwe bikomeye na cane cane mu nyigisho za gisirikare za karuhariwe. Uwundi munyacubahiro yakiriwe n'umushikiranganji ajejwe kwivuna abansi ni umuserukizi adasanzwe (Ambassadeur Extraordinaire et Plénipotentiaire) w'igihugu c'Ubushinwa. Ico gihugu ca rutura gisanzwe gifashanya cane n'Uburundi mu nyigisho za gisirikare naho ca kiza ca Covid-19 catumye umurindi ugabanuka. Umushikiranganji yarahaye umubonano kandi abaserukira ibihugu vy'Ubutaliyano n'Ubwongereza mu Burundi, uwujejwe amashami y'ishirahamwe mpuzamakungu ONU mu Burundi arongera araha umubonano uwuserukira ishirahamwe PNUD mu Burundi. Abasanzwe bafashanya n'Uburundi mu bikorwa vyo kugarukana amahoro mu makungu nabone barahagurutse bariyizira kubonana n'umushikiran-




*Uburundi n'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika, inkinzo ikomeye kuri Somaliya*

ganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba. Aha twovuga nk'abaje baserukira ubumwe bwa Afrika bari barongowe na Komiseri ajejwe ivya politike, amahoro n'umutekano hamwe rero n'uwurongoye urwego rwa ONU rujejwe gutanga ibikoresho mu gushigikira abagarukana amahoro muri Somaliya (UNSOS). Abaserukira ibihugu bihurikiye mu rwego rw'abasirikare bama biteguye gutabara muri Afrika y'ubuseruko (EASF) barahawe umubonano n'umushikiranganji ajejwe kwivuna abansi. Abashitsi bakiriwe vuba bakaba ari umukuru w'urwego rwo kwivuna abansi mu gihugu ca Misiri n'umunyamabanga nshingwabikorwa w'ikigo c'akarere ka Afrika y'ubuseruko kigenzura igwirirana ry'ibigwanisho bitobito bicira umuriro.

***Gukomeza imigenderanire***

Haba namba ! umushikiranganji Mutabazi nawene yaragize ingendo zitari nke zari zigamije gukomeza gufashanya mu vya gisirikare. Yaritavye inama igira icumi ku vyerekeye umutekano mpuzamakungu hamwe n'ihwaniro gisirikare ry'2022, vyose bikaba vyabereye i Moscou mu Burusiya. Urwo rugendo mu Burusiya rwabaye n'akaryo keza ko gutera umukono ku masezerano yo gufashanya n'igihugu c'Uburusiya mu vya gisirikare no mu vy'ubuhinga. Yaritavye kandi ibirori vyo kurangiza inyigisho zo ku rwego rwo hejuru cane zigira indwi mu bijanye n'ivyokwisungwa mu gucungera umutekano w'ibihugu. Ivyo birori bikaba vyabereye i Kinshasa muri Repubulika iharanira intwaro rusangi ya Congo. Yaranishikiye mu gihugu ca Etiyopiya mu nama y'abashikiranganji bari baramutse bihweza ingene umutekano wifashe muri Somaliya kandi bakaba basanze wifashe neza mbere hatangwa n'intumbero y'uko AMISOM yosubirirwa n'urundi rwego rwogenda rusubiza buke buke ibijanye n'umutekano wa Somaliya mu minwe y'abanyasomaliya, ariho hahavuye hashingwa urwego ATMIS. Yaritavye n'ayandi manama yabaye hakoreshejwe ubuhinga bwa none nk'inama y'ibihugu bifise abasirikare n'abapolisi bari kugarukana amahoro muri Somaliya mu rwego ATMIS hamwe n'inama y'ihuriro ry'Ubushinwa na Afrika ariryo forum sino-africain mu gifaransa ikaba yihweje ingene Ubushinwa na Africa vyokomeza gufashanya mu bijanye n'amahoro n'umutekano.

Umushikiranganji Ir Alain Tribert MUTABAZI yaragize n'izindi ngendo z'akazi mu Buganda, Tanzaniya n'ahandi. Izo ngendo akaba atazishangije kuko n'umukuru w'urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi, Général Prime Niyongabo, yaragize ingendo zigamije gukomeza ugufashanya mu vya gisirikare nyene. Abandi basirikare baragiye bararungikwa mu ngendo z'akazi bakaba bagiye bashimangira ishusho nziza y'igihugu cacu. Eka n'abasirikare bari kugarukana amahoro co kimwe n'abasanzwe baserukira igisirikare mu bindi bihugu nabone bagize uruhara rukomeye mu gushimangira ugufashanya mu vya gisirikare.

Uyu mwaka w'2022 rero, umushikiranganji Mutabazi ubwiwe n'abafashe ingendo kugira bagiranire imibonano, baratwemeje ivyo Wembo Jah Olela, umwanditsi akaba n'uwuhimiriza iterambere n'umwumvikano mu kibano wo muri Congo yavuze agira ati « kugenderanira niyo ngendo nziza ituma imigenderanire iyo ariyo yose itazama ».

***Lt-Col HAKIZIMANA PROSPER***

# Imyimenyerezo n'inyigisho ni inzira yo gukomeza ubumenyi ku bagize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi

*Igisata kijejwe imyimenyerezo, inyigisho hamwe n'ibikorwa bijanye n'ukwivuna umwansi kiri mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi citwa G3 mu mvugo ya gisirikare, cararanguye ibikorwa bitari bike mur'uno mwaka w'2022. Général de Brigade Barandereka Télesphore, arongoye ico gisata amenyesha ko gukingira igihugu n'ugutsimbataza amahoro n'umutekano, imyimenyerezo n'inyigisho, ubutumwa bwo gufasha kugarukana amahoro mu bindi bihugu hamwe n'umugambi w'igihugu « Ewe Burundi Urambaye » biri mu bikorwa bikuru bikuru vyaranguwe nico gisata.*



*Urwego FDNB rwaratunganije amahiganwa ya gisirikare kugira basuzume ubushobozi bw'abasirikare hamwe no gufatana munda*

Mu vyerekeye ivyo gukingira igihugu n'ugucungera amahoro n'umutekano, Général de Brigade Barandereka Télesphore arongoye igisata kijejwe imyimenyerezo, inyigisho hamwe n'ibikorwa bijanye n'ukwivuna umwansi yamenyesheje ko abasirikare babandanije igikorwa co gukingira imbibe z'igihugu hamwe n'igihugu muri rusangi. Bafadikanije n'abandi basanzwe bakorana mu vyo gucungera umutekano, ingabo z'Uburundi zaragize uruhara runini mu kurwanya urudandazwa rudaciye mu mategeko ruciye mu kiyaga ca Tanganyika mbere no ku mbibe z'igihugu. Ibidandazwa bidaciye mu mategeko bitari bike vyarafashwe birashikirizwa inzego zibijejwe. Ivyo bidandazwa bikaba vyari bigizwe n'ibitenge, ibigori, ibiharage, intsinga, ikawa, umwavu, imiti, urumogi , inzoga zitemewe n'amategeko , hamwe n'ibindi. Aramenyesha kandi ko habaye ubugenduzi ku makambi amwe amwe, ubwo bugenduzi bukaba bwakurikiwe n'umwiherero kubarongoye amakambi. Ivyo vyose bikaba vyakozwe mu ntumbero yo gukomeza ubumenyi ku basirikare bari mu makambi atandukanye.

Kubijanye no mu karere naho , Général de Brigade Barandereka Télesphore ashikiriza ko bisunze ingingo yapfunditswe n'abakuru b'ibihugu bigize umuryango w'ibihugu vyo mu buseruko , ingingo yo kurungika ingabo zituruka murivyo bihugu kugira ngo zigarukane amahoro n'umutekano mu buseruko bw'igihugu giharanira demokarasi ca Kongo, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwararungitse murico gihugu , ingabo zingana n'ibatayo zibiri mu ntumbero yo gushira mu ngiro ingingo zapfunditswe n'ibihugu bigize uwo muryango.

### *Imyimenyerezo n'inyigisho inzira yo kurangura neza ibikorwa vy'ukwivuna abansi*

Ku vyerekeye imyimenyerezo n'inyigisho, Général de Brigade Barandereka Telesphore amenyesha ko intumbero z'imyimenyerezo mu mwaka w'2022 ushira umwaka w'2023 yatanzwe kandi iyo myimenyerezo iriko igenda neza. Ikigo c'abakomando c'i Gitega cararamuye imirwi ibiri hakaba harimwo kandi n'abakenyezi.

Uwo arongoye ico gisata amenyesha kandi ko hatunganijwe ihiganwa ku basirikare bakorera mu turere dutandukanye twa gisirikare. Ivyo bikaba vyabaye mu kwezi kwa rusama 2022, mu ntumbero yo kuraba urugero rw'ubumenyi bw'abasirikare. Haratunganijwe kandi inyigisho ku makompanyi ari mu turere kugira nahone bashire mu ngiro ivyo baba barigishijwe. Abandanya avuga ko hatunganijwe kandi umwimenyerezo kubarangurira imirimo mu ma birigade naho nyene bikaba vyakozwe mu ntumbero yo kuraba urugero intwazangabo zigezeko harimwo nivyo gutegura imigambi. Mu karere k'ibihugu bigize umuryango wa Afrika y'ubuseruko, Général de Brigade Barandereka Télesphore amenyesha ko urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwitabiriye umwimenyerezo Ushirikiano Imara wabereye mu gihugu c'Ubuganda. Amenyesha kandi ko bafadikanije n'ikigo gitabara imbabare (CICR), haratunganijwe uruganda rw'inyigisho bise « Ibikorwa vya gisirikare vyo gucungera umutekano mu gihugu hagati (MISO) mu mpfunyapfunyo ». inyigisho zikaba zari zateguriwe intwazangabo zo mu



*Amahiganwa ya gisirikare afise intumbero yo gusuzuma ubumenyi bw'abasirikare mu mwaka baba bamaze mu nyigisho*

rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, izo mu gipolisi hamwe n'iziperereza. Inyigisho zashimangira uruhara rw'umusirikare mu gucungera umutekano hagati mu gihugu afadikanije n'izindi nzego zo mu gipolisi n'izo mw'iperereza. « Izo nyigisho zirashimikira kandi kukubahiriza amategeko mpuzamakungu yerekeye ivyo gucungera umutekano hagati mu gihugu haba mu nteguro no mu kurangura ico gikorwa », nkuko yabandanije abishikiriza.

### *Ubutumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano mu bindi bihugu*

Mu vyerekeye ubutumwa bwo gufasha kugarukana amahoro n'umutekano mu bindi bihugu , urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwiyemeje, uwurongoye igisata c'imyimenyerezo , inyigisho n'ibikorwa bijanye no kwivuna umwansi amenyesha ko ico gisata catunganije inyigisho ku basirikare bari bagize ibatayo zitanu zagiye muri Somaliya uno mwaka w'2022 mu rwego rwa ATMIS, n'abasirikare bagize ibatayo y'uburundi igira umunani mu rwego rwa MINUSCA hamwe no ku ntwazangabo zigize ibiro bikuru vya Kontenja ya 15 y'Uburundi mu rwego rwa ATMIS. Amenyesha kandi ko mur'ico gisata batunganije igomborana y'amabatayo ya 62, 63, 64 n'intwazangabo zari zigize ibiro bikuru vya kontenja ya 14. Bakaba bakorewe mu ngata n'ibatayo za 67, 68, 69 n'intwazangabo zigize ibiro bikuru vya kontenja ya 15. Mur'iyo ntumbero nyene, haratunganijwe igomborana ry'abasirikare bagize i batayo yi 7 yakorewe mu ngagata n'ibatayo y'8 mu rwego rwa MINUSCA. Harakiriwe kandi imirwi ivuye mw'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika UA no mw'ishirahamwe mpuzamakungu ONU kugira basuzume inyigisho zatanzwe kurabo basirikare barungitswe mu butumwa bwo gufasha kugarukana amahoro n'umutekano mu gihugu ca Somaliya na Centrafrika.

### *Umugambi w'igihugu « Ewe Burundi urambaye » ni umwitwarariko w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi*

Mu vyerekeye gushigikira wa mugambi w'igihugu wo gutera ibiti bise « Ewe Burundi urambaye », Général de Brigade Barandereka Telesphore amenyesha ko imivyaro y'ibiti y'ubwoko butandukanye yatewe yongera irabugwabungwa aho hose mu turere yatewe. Haratewe kandi imivyaro y'ibiti bita bambous ku nkengera z'inzuzi zica mu gisagara ca Bujumbura. Amatuta akaba yaratunganijwe mu matongo ya gisirikare kugire bitegurire ikindi gihe co kubandanya batera ibiti.

### *Mbega muri kazoza hoho hategekanijwe iki ?*

Général de Brigade Barandereka Télesphore amenyesha ko bagiye kubandanya bakomeza imyimenyerezo n'inyigisho ku basirikare eka mbere n'ibindi vyose bituma abasirikare bagwanya bimwe bikomeye icoza cose kigomba guhungabanya amahoro n'umutekano n'ubwigenge bw'igihugu. Amenyesha kandi ko igisata arongoye kigiye gutunganya neza ahazobera imyimenyerezo, aho bashobora kwigira kurasa hamwe no gusanura inyubakwa z'imyimenyerezo. Mu vyerekeye gufasha kugarukana amahoro n'umutekano mu bindi bihugu, inyigisho kubitegura kurungikwa mur'ubwo butumwa zizobandanya zitunganywa kugira abasirikare bagende biteguye neza kugwanya umwansi. Arangiza avuga ko kuvyerekeye wa mugambi w'igihugu « Ewe Burundi Urambaye », uzoguma ari umwitwarariko ku ndongozi z'igisirikare.

***Maj NGEZAHAYO SERGE***

# Uburundi na Misiri vyarateye umukono ku masezerano ajanye no gufashanya muvyo kwivuna abansi

*Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB), Général Niyongabo Prime yarakiriye uwurongoye ibiro bikuru vy'igisirikare ca Misiri Lieutenant-Général Osama Ahmed Rouchdy Abdallah Askar kw'igenekerezo rya 7 Kigarama 2022. Abo bakuru b'ibisirikare bakaba barateye umukono ku masezezarano ajanye no gufashanya hagati y'ibihugu vyabo muvyerekeye kwivuna abansi .*



*Bashimikiye kugufashanya hagati y'ibihugu vyompi*

Imigenderanire hagati y'Uburundi na Misiri itera ija imbere. Ivyo bikaba bigaragarira mu gendo abategetsi b'ivyo bihugu uko ari bibiri bama bagiriraniye hagati yabo. Inyuma y'urugendo umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Général Niyongabo Prime yagize mu gihugu ca Misiri mu mwaka w'2021, umukuru w'ibiro bikuru vy'igisirikare ca Misiri, Lieutenant-Général Osama Ahmed Rouchdy Abdallah Askar nawe yarahagurutse ava ku murwa mukuru wa Misiri, kw'igenekerezo rya 06 Kigarama 2022 akaba yaragize urugendo rw'iminsi itatu i Bujumbura ku murwa mukuru w'ubutunzi w'igihugu c'Uburundi. Urwo rugendo uwo mukuru w'ibiro bikuru vy'igisirkare ca Misiri yagize i Burundi ni ikimenyetso kitabesha cerekana ko igihugu ca Misiri camaze kwiyemeza gukomeza ubucuti n'igihugu c'Uburundi muri rusangi na cane cane hagati y'ibisirikare vy'ivyo bihugu.

### Gusuzuma ivyaranguwe n'ukurabira hamwe ibikorwa vyo muri kazoza

Urwo rugendo rw'umukuru w'ibiro bikuru vy'igisirikare ca Misiri rwakurikiye urundi rugendo abahinga 04 mu vya gisirikare bakomoka mur'ico gihugu ca Misiri bari bamazemwo



*Uru rugendo ruragaragaza ko imigenderanire yatsimbataye*

iminsi 02 i Bujumbura bariko bararabira hamwe n'abandi bahinga 12 bo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kubijanye n'ishirwa mu ngiro ry'ivyari vyapfundikiwe mu nama yari yabereye mu gihugu ca Misiri, ikaba yari yahuje komite ihurikiwemwo n'abava muri ivyo bihugu vyompi mu mwaka w'2021. Inyuma y'umwihwezo wabo, abo bahinga basanze ibikorwa 08 muri 09 vyari ku rutonde rw'ibitegekanijwe vyaramaze kurangurwa. Kaciye kaba akaryo keza ko guhanahana ivyiyumviro ku bijanye n'ibikorwa vyo gukomeza ugufashanya hagati y'ivyo bihugu vyompi mu bijanye n'ukwivuna abansi mu mwaka w'2023 ushira uw' 2024. Bapfunditse ko ivyo bikorwa bizoba bishimikiye kuguhanahana ubumenyi bw'inyigisho z'igisirikare zitandukanye, ukwigisha abazoba abaganga b'abasirikare hamwe n'ukurwiza umwimbu w'uburimyi n' ubworozi.

Mu gusozera inama igira kabiri ya komite igizwe n'abahinga b'abarundi n'abanyamisiri, mw'ijambo ryiwe, umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yamenyesheje ko umwihwezo wakozwe n'abahinga b'ivyo bisirikare uko ari bibiri werekana ko ibikorwa vyari vyategekanijwe kurangurwa mu mwaka w'2021 vyakozwe ku rugero rutanga umwizero ko imigenderanire mu vya gisirikare hagati y'ivyo bihugu bibiri yifashe neza cane. yarongeye ati : « Igikorwa c'uno munsi kirahambaye kuko kije kugaragaza no gutsimbataza imigenderanire hagati y'ibihugu vyacu yamye ibiranga kuva kera mu bijanye n'ukwivuna abansi. Ati : « ni ikimenyetso kidasanzwe cerekana ko Leta ya Misiri yiyemeje gushishikara gukomeza imigenderanire hamwe n'Uburundi ifatiye ku gufashanya mu bijanye n'ukwivuna abansi ».

Général Niyongabo Prime ntiyibagiye gushimira Leta ya Misiri ku ntererano zayo zituma urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rurushiriza kuba bitumwako. Yamenyesheje ko ari ikimenyetso kigaragaza umwizero ico gihugu gifitiye Uburundi, ati : « Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruzokwama rubizirikana. Nawe yaciye yongera kwemeza ko Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwiteguye kwama na ntaryo rubungabunga rwongera rukomeza iyo migenderanire iranga izo nzego uko ari zibiri.

### Ivyo bihugu bibiri birahuriza kuvyorangurwa

Ku ruhande rwiwe, Lieutenant-Général Osama Ahmed Rouchdy Abdallah Askar arongoye ibiro bikuru vy'igisirikare ca Misiri yaranezerejwe n'uko iyo nama yabaye haherutse kuba umubonano hagati y'abakuru b'ivyo bihugu vyompi mu nama ya 27. Kubwiwe , uwo mubonano w'abo bakuru b'ibihugu warerekanye ko basangiye umwitwarariko wo guteza imbere abenegihugu babo. Yavuze ati : « Kuri uyu munsi turamutse dusozera inama igira kabiri ya Komite igizwe n'abarundi n'abanyamisiri, turanezerejwe n'ivyakozwe kandi turizeye ko ibikenewe vyose bihari kugira ngo dushike kw'ihangiro twihaye ngo tubone gusezerera ingorane ziduhanze .» Yashimangiye ati : « Ndongeye kwemeza ishaka ryacu n'ukuntu twiteguye gukora tutiziganya kugira ngo tuzoshike ku migambi twiyemeje. »

Imbere y'uko arangiza urugendo rwiwe i Bujumbura, uwurongoye ibiro bikuru vy'igisirikare ca Misiri, Lieutenant-Général Osama Ahmed Rouchdy Abdallah Askar yaragendeye ishirahamwe ry'abasirikare rijejwe kuziganya no kuguranana (CECADM) hamwe n'ibitaro vy'abasirikare biri mu Kamenge.

Twobamenyesha ko Leta ya Misiri ariyo ironsa ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge imiti uko amezi atatu aheze ikoreshwa mu gupima no kuvura amafyigo.

**Lt-Col GAHONGANO EMMANUEL**

# Inyigisho : Umwimbu urashimishije

*Igisata kijejwe inyigisho mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi FDNB arico twita G7 cararanguye ibitari bike muri uno mwaka w'i 2022, vyamenyeshejwe na Général de Brigade Léonidas Niyungeko mu mubonano yahaye ikinyamakuru gisohoka buri kwezi Rumurikirangabo.*



*Barangije inyigisho n'umwimbu ushimishije*

Ibiro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburndi bifise ibisata bitari bike bitandukanye harimwo n'igisata kijejwe inyigisho arico twita G7. Général de Brigade Léonidas Niyungeko arongoye ico gisata kijejwe inyigisho amenyesha ko ibikorwa bitari bike vyaranguwe muri uno mwaka w'i 2022 naho habaye intambamyi ico gisata cagiye gihura nazo.

Mu biro bijejwe inyigisho z'intango, Général de Brigade Léonidas Niyungeko amenyesha ko imikangara yitegurira kuba intwazangabo yo mu murwi wa 51 bemerewe kumugaragaro mu kwezi kwa ndamukiza 2022, umurwi wa 47 w'intwazangabo hamwe n'urukurikirane rwa 19 rwo gukarishubwenge ku ntwazangabo bararahiye imbere y'umukuru w'igihugu ari nawe kizigenza mu nzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano. Yongeyeko ko imikangara yo mu rukurikirane rwa 51 yitegurirara kuba ibisongerezi yemerewe kwijira kumugaragaro mu kwezi kwa nyakanga 2022 mu gihe urukurikirane rwa 49 rw'imikangara y'itegurira kuba ibisongerezi nayo yarangije inyigisho.

Uwurongoye igisata kijejwe inyigisho mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yamenyesheje ko ku vyerekeye abasirikare bato bato imikangara yinjijwe mu mwaka w'i 2020-2021 yararangije inyigisho mu gihe ihamagarwa ry'imikangara izokwinjizwa mu mwaka w'i 2021-2022 ryarangiye mu kwezi kwa kigarama naho habaye gucererwa gatoya kukiringo cari categekanijwe.

Ku vyerekeye ibiro bijejwe inyigisho zo kurugero rwo hejuru no kunonosora ubuhinga umurwi 6 w'ishure rikuru ryigisha kurongora,gutunganya no kunonosora ubuhinga ku ntwazangabo wararangije inyigsho. Imirwi ya 6 niy'i 7 y'ishure ryigisha intwanzangabo zitegurira gutwara amakambi hamwe n'amabiro mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi (ECBM) hamwe n'iryigisha intwazangabo zitegurira gutwara umurwi w'abasirikara ungana n'ikompanyi (ECC) bararonkejwe impapuro zemeza ko barangije inyigisho n'umwimbu ushimishije.
« Kubijanye n'inyigisho z'ibisongerezi vyitegurira kuba ivyegera vy'intwazangabo zitwara umurwi w'abasirikare ungana na peloton (ESCAP) urukurikirane rwa 39 rwararangije inyigisho mu gihe urukurikirane rwa 29 rw'ibisongerezi vyigishwa ibijanye n'intwaro n'ububiko (ESOAL) hamwe n'urukurikirane rwa 12 rw'ibisongerezi vyigishwa ibijanye n'ukwinorora imitsi bararangije ingigisho. Urukurikirane rw'imirwi ikurikira ruriko rurakurikirana inyigisho.» Yongeyeko ko ishure rya gisirikare ryigisha imyunga (EMM) ryatanze impapuro zemeza ko barangije inyigishu kubisongerezi hamwe n'abasirikare bato bato.

Kubijanye n'inyigisho zintango hamwe ninyigisho nkarishabwenge hanze y'igihugu, intwazangabo, ibisongerezi hamwe n'abasirikare batobato barakurikiranye neza inyigisho zitandukanye mu mahanga mu bihungu bifitaniye imigenderanire myiza n'uburundi.

Uwurongoye igisata kijejwe inyigisho mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi FDNB yamenyesheje ko intambamyi nkuru nkuru bahuye muri uno mwaka w'i'2022 zijanye n'inyubakwa zidakwiye n'ibikoresho bafatiye kuvyo bakenera n'ibitigiri vyabantu bakenera kwigishwa hamwe n'ibijanye n'uburyo bw'amafaranga.

Kubijanye n'ibizorangurwa, uwurongoye igisata kijejwe inyigisho yaratomoye neza ko ico gisata kizobandanya umugambi wo kwinjiza abasirikare mu mirwi yose hamwe no gushira ku rugero rumwe inyigisho bisunze ibisabwa amashure ari mu karere ka Afrika y'ubuseruko.
Général de Brigade Leonidas avuga ko ashimishwa n'ivyaranguwe muri ico gisata n'aho bahuye n'intambamyi. Yavuze ko ico gisata kizotegekanya ivyo vyose bikenewe kugira gitezimbere inyigisho cisunze ibisabwa n'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi FDNB.

***Maj NDAYISABA ROGER***

# Somaliya : Ibikorwa vyaranguwe na Kontenja y'Uburundi ya 14 ya ATMIS birashimishije

*Kontenja ya 14 y'Uburundi iri mu rwego rwa ATMIS yarungitswe mu gihugu ca somaliya mu ntango z'ukwezi kwa Kigarama 2021, yararanguye ibikorwa bitari bike mu kiringo yari imaze mu butumwa bwo kugarukana amahoro mur'ico gihugu. Mu bikorwa bikuru bikuru yaranguye, hari gutegura hamwe no gushira mu ngiro ibikorwa vyo kugwanya wa murwi wi'iterabwoba Al shabaabs (AS) mu turere ukibarizwamwo, ibikorwa vyo gukomeza imigenderanire myiza n'abenegihugu ba somaliya na cane cane gufasha ba ntahonikora kugira bashobora kubaho neza.*



*Ingabo z'Uburundi mu rwego rwa ATMIS zitunganya ibikorwa vyo gutuza umurwi w'iterabwoba Al-shabaabs*

Kontenja ya 14 y'Uburundi iri mu rwego rwa ATMIS, yarabandanije igikorwa co gutsimbataza amahoro n'umutekano mu karere ka gatanu ingabo z'Uburundi zisanzwe zikoreramwo.

Kuvyerekeye ibikorwa vyo kugwanya wa murwi w'intagondwa Al-Shabaabs, kontenja y'Uburundi ifadikanije n'ingabo za somaliya yaratunganije igikorwa co kugwanya umurwi w'iterabwoba Al-Shabaabs mu turere twa Sabuun na Gelgub kugira ituze abagwanyi b'uwo murwi. Ivyo bikaba vyakozwe kandi kugira abenegihugu bo muri utwo duce biruhutse kuko bari baruhijwe n'amatagisi batozwa ku nguvu n'izo ntagondwa za Al-Shabaabs. Harabaye kandi ibikorwa vyo gukizura haba ku murango canke mw'ijoro mu ntumbero yo gutuza intagondwa z'umurwi Al-Shabaabs n'iyindi mirwi igamije guhungabanya amahoro n'umutekano muri ico gihugu ca Somaliya.

Kontenja y'Uburundi iri mu rwego rwa ATMIS yarafashije kandi mu gucungera amatora y'abashingamateka muri Leta ya Hirshabelle incuro zibiri zose, ayo matora akaba yagenze neza ugereranije n'ayabereye mu bindi bice vya Somaliya.
Muri kino gihe rero umutekano ukaba wifashe neza mu karere ka gatanu ingabo z'uburundi zikoreramwo, abenegihugu bari ku mirimo yabo ya minsi yose. Ariko naho biri uko , umurwi w'intagondwa AS uguma witegura kugaba ibitero, ukarondera abagwanyi bashasha eka mbere ugatoza ku nguvu amatagisi ku benegihugu. Umurwi AS urategа kandi vya bisasu biturika mu ma barabara kugira ubuze ingabo za ATMIS n'iza Somaliya kwidegemvya na cane cane kugira ubandanye iterabwobwa mu benegihugu bitekaniye.

### *Ugushira mu ngiro indinganizo nshasha y'ibikorwa vya gisirikare vya ATMIS*

Ku wa 7 gitugutu 2021, inama nkuru, inama y'amahoro n'umutekano y'ubumwe bwa Afrika yasaba yuko ubutumwa bwa AMISOM bwohinduka bugafatwa mu ntoke n'ishirahamwe mpuzamakungu ONU rifadikanije n'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika UA. Ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika na Leta ya Somaliya barumvikanye ko hoshirwaho urupapuro rw'inzira gurtyo Ubutumwa AMISOM bugahinduka ubutumwa mfatakibanza bw'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika mu gihugu ca somaliya. Ubutumwa AMISOM bwari bwatanguye mu mwaka w'i 2007 bukaba bwaciye burangira kw'igenekerezo rya 31 Ntwarante 2022, buhinduka ubutumwa ATMIS.
Kubw'uwo ajejwe igisata ca poritike, amahoro n'umutekano mw'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika, Bankole Adeole , « ATMIS izokwibanda cane cane mu gutsimbataza amahoro n'umutekano hamwe no gushigikira uburongozi bwa Leta buhari . Somaliya ikazogenda irifatira yonyene mu ntoke ivyerekeye ivyo kwicungerera amahoro n'umutekano . uwo ajejwe gisata ca poritike mw'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika abandanya avuga ko ATMIS izoba igizwe n'ingabo zo kugwanya umwansi aho hose azoba abarizwa , gurtyo zikazoshobora kugwanya bimwe biboneka za ntagondwa z'umurwi Al Shabaabs hamwe n'iyindi mirwi ihungabanya amahoro n'umutekano mu gihugu ca Somaliya.

Mu gushira mu ngiro rero indinganizo nshasha y'ibikorwa vya gisirikare , na cane cane mu gice ca mbere c'iyo ndinganizo, Kontenja y'Uburundi yaciye itunganya gushasha ingabo ku birindiro, ibirindiro biragabanywa kugira haboneke ingabo zishobora kugwanya hamwe no kwiruka ku mwansi aho ari hose yoba yinyegeje mu karere kontenja y'Uburundi ikoreramwo , hanyuma mbere zishobore no gutabara vyihuta mu gihe biba bikenewe.
Ikigo kijejwe gutegura ibikorwa vya gisirikare gihurikiyemwo ingabo za ATMIS n'iza Somaliya carashizweho mu ma segiteri yose. Izo ngabo zikaba zifise igikorwa co gutegurira hamwe no gukorera hamwe ibikorwa vyo gutuza umwansi gurtyo ubutumwa bushobore kugenda neza.

### *Imigenderanire hagati y'abasirikare n'abenegihugu ba somaliya yifashe neza*

Ku vyerekeye imigenderanire hagati y'abasirikare n'abenegihugu ba somaliya , mu ntumbero yo gutsimbataza amahoro n'umutekano , na cane cane mu vyo gufasha abenegihugu ba ntahonikora, ubutumwa ATMIS burafasha mu vyerekeye uburyo bwo kurangurira imigambi abenegihugu ba Somaliya, iyo migambi igategurwa n'amakontenja abicishije mu gisata kijejwe imigenderanire hagati y'abasirikare n'abenegihugu (CIMIC) mu mpfunyapfunyo .
Ni mur'iyo ntumbero kw'igenekerezo rya gatanu kigarama 2021, uwujejwe igisata c'imigeneranire hagati y'abasirikare n'abanegihugu ba Somaliya mu rwego rwa ATMIS, Docteur Opiyo odawa yaruguruye icese isoko icururizwamwo inyama z'ibitungwa n'imboga, ishure ry'intango hamwe nahubatswe amabombo y'amazi meza mw'ikambi y'impunzi y'i Towfik aho bita Johwar Air Field. Iyo migambi ikaba yari yateguwe na kontenja y'Uburundi ya ATMIS.
Mw'ijambo ryiwe, Docteur Opiyo Ododa yarashimiye kontenja y'Uburundi ya ATMIS kur'iyo migambi yateguye ifitiye akamaro ntangere abenegihugu ba Somaliya. Ati : « Ico ni icerekana ko kontenja y'Uburundi irajwe ishinga n'ukubaho neza k'umwenegihugu wa Somaliya hamwe n'iterambere.

Ni mur'iyo ntumbero nyene yo gufasha abenegihugu ba Somaliya , kontenja y'Uburundi yama iratanga amazi meza ku mpuzi ziri mw'ikambi y'abateshejwe izabo i Towfik kabiri mu ndwi. Hambavu yivyo, abasirikare barafashe intumbero yo kwisonzesha rimwe mu ndwi kugira begeranye ibifungurwa vyo kugarukira kur'izo mpuzi ziri mw'ikambi y'abateshejwe izabo bashonje. Imiryango ironswa ivyo bifungurwa ikaba ishima cane ku mutima ingabo z'Uburundi zama zerekanye mu kubafashisha ivyo bafungura hamwe n'amazi meza eka mbere no kubavura bakababavura.

***Maj NGEZAHAYO SERGE***

# HMK : Abitura ibitaro barashimishwa n'ukugene bavurwa

*Ku bice birenga ijana kw'ijana (100%) mu bisata bitandukanye, ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge barashimishwa n'ivyaranguwe muri uyu mwaka wa 2022. Bose hamwe, abagwayi 68 212 barakiriwe bataha, ni ukuvuga ibice mirongo icenda n'indwi kw'ijana (97%), mugihe abagwayi bangana 14588 bavuriwe mu bitaro, ni ukuvuga ibice ijana na kimwe kw'ijana (101%) vyabakiriwe.*



*Gusanura inyubakwa yakira indembe, umwe mu migambi yaranguwe na HMK*

Kugirango bashike ku ntumbero yo « kugira ibitaro vy'akarorero, vyizewe kandi bihiganwa ku rwego rw'igihugu hamwe n'akarere », ubuyobozi bukuru bw'ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge bimenyesha ko bikoresha uburyo bwose bushoboka kugira ngo bashike kw'ihangiro ry'ivyo bitaro ku neza y'abagwayi baryitura baje kwivuza.

### « Kwakirwa neza mu bitaro bisukuye kubw'ubuvuzi bw'akanovera »

Bisunze icivugo c'ivyo bitaro kivuga giti « Kwakirwa neza mu bitaro bisukuye kubw'ubuvuzi bw'akanovera », abakozi b'ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge baritanze batiziganya muri uyu mwaka wa 2022 haba mu gisata c'ubuvuzi hamwe n'ico guteza imbere ivyo bitaro.

### Ibice birenga ijana kw'ijana vyarakiriwe mu bisata bitandukanye

Mu gisata c'ubuvuzi, ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge vyemeza ko ivyaranguwe bishimishije. Mu bakiriwe bataha, ku bagwayi 70639 bari bitezwe, abashika 68212 barakiriwe, nukuvuga ibice mirongo icenda n'indwi kw'ijana (97%). Muri abo, ibice mirongo ibiri na bitatu kw'ijana (23%) bagizwe n'abana bari munsi y'imyaka itanu, ibice mirongo ibiri n'icenda kw'ijana (29%) navyo, bakiriwe n'abaganga b'abahinga.

Ku bavurirwa mubitaro, ku bagwayi 14460 bari bitezwe, ibihumbi 14588 baravuwe baryamitswe mu bitaro nukuvuga ibice ijana na kimwe kw'ijana (101%). Aho twovuga igisata co kwakira abavyeyi aho kubashika 4 259 bari bitezwe, hakiriwe munzu yagenewe kwakiriramwo abavyeyi 4491baje kwibaruka, nukuvuga ibice ijana na bitanu kw'ijana (105%), mugihe mu gisata co kubagiramwo inkomere, ku bagwayi 1776 bari bitezwe, abagera ku 1836 barakiriwe, nukuvuga ibice ijana na bitatu kw'ijana (103%).
Mu gisata co kumurika, ku bagwayi 9342 bari bitezwe, abashika 9 996 barakoresheje ibipimo vyo kumurika, nukuvuga ibice ijana n'indwi kw'ijana (107%). Hejuru y'ivyo, abagwayi 16 267 barakiriwe mu bipimo vy'iradiyo ku bashika 13 323 bari bitezwe, nukuvuga ibice ijana na mirongo ibiri na bibiri kw'ijana (122%).

Kurivyo vyose vyaranguwe, ubuyobozi bukuru bw'ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge bwemeza ko abagwayi bafashijwe n'ivyo bitaro bashinga intahe ko bafashwa neza. Ivyo ngo biragaragazwa neza n'ibitigiri vy'abitura ivyo bitaro vyiyongera ku munsi ku munsi.

### Iradiyo imurika mu mahaha yarakiriwe, kimwe muvyaranguwe mu bijanye n'iterambere

Mubijanye n'iterambere, ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge vyarashoboye kurangura imigambi itandukanye harimwo cane cane, iyugururwa ry'inyubakwa yagenewe indembe yasubiwemwo, iyugururwa ry'inyubakwa yagenewe ivy'ubutunzi, gusubiramwo inzira zaho baca basohoka mbere zishika n'aho bafatira ibipimo vy'abagwayi, kwakira iradiyo imurika mu mahaha, kwakira no gutunganya ibijanye n'ikoreshwa ry'icuma gitanga impwemu hamwe no kwakira imashina igezweho ifasha muvyo guturira imicafu.

### Uburyo butagwa na Leta budakwiye , n'imwe mu ntambamyi

Zimwe mu ntambamyi ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge vyagize, harimwo cane cane amafagitire atarishwe hamwe n'amadeni y'umurengera atuma ishigwamungiro ry''ibikorwa vyateguwe ritagenda neza, ibura ry'imiti ikwiye riturutse ku guhagarika kw'abasanzwe bayigurisha hamwe n'ibiciro vyaduze kw'isoko, hamwe rero n'uburyo butagwa na Leta budakwiye .

### Ivyimirije kurangurwa muri kazoza

Bimwe mu vyimirije kurangurwa Ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge vyaramaze gutegura imigambi vyipfuza kurangura muri uyu mwaka buca utangura. Imikuru mikuru muriyo harimwo, gushimikira mukwishuza amafagitire kugira ngo ikigega c'ibitaro kibomboke, kwakira imiti, ibikoresho vyo gupima indwara hamwe n'ibindi vyankenerwa biva mu bihugu vyo hanze, kurondera abofasha mu gushigikira imigambi mikuru mikuru y'ibitaro cane cane iyerekeye kwubaka inyubakwa igirirwamwo ibipimo vyo gufotora n'iyo kubaga abagwayi. Muri iyo migabi kandi harimwo kwubaka inzu yagenewe gushirwamwo abagwayi ba korona virusi ukwabo hamwe n'ibindi biza, gutegura inyubakwa y'ibigega vy'amazi akwiye harimwo no kwimba amazi ava mu kuzimu kugira ngo mugihe yocika ibitaro ntibibure amazi, kwubaka inyubakwa igwariramwo abasirikare n'imiryango yabo n'ibindi.

**Capt HABOGORIMANA J.B.**

# Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba arashima uko ibikorwa vy'inyubako za gisirikarebiriko biragenda

*Muri ya ntumbero yo kuguma asanga abakozi ku kivi aho bakorera, Umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba, Ir Alain Tribert Mutabazi, yaragendeye brigade ijejwe ibikoresho mu gisirikare (BLFDNB) kwirabira ingene ibikorwa vyo kwubaka aho bazobika bakanatangira imiti bigeze. Uyo musi nyene, igenekerezo rya 28 Gitugutu, yaciye agendera kandi brigade ijejwe kubungabunga no gukora imodoka n'ibindi bikoresho vya gisirikare (BMAEM) aho naho bakaba basanzwe bariko baragura banashira ku rugero rwa kijambere aho bakorera imodoka zakwamye.*

Mu vyo bari basanzwe barategekanije kurangura, izo brigade zompi zarihaye imigambi zizoshira mu ngiro. Muri iyo migambi, harimwo kwubaka aho bazobika bakanatangira imiti (pharmacie) muri brigade ijejwe ibikoresho (BLFDNB) no kwagura no gushira ku rugero rwa kijambe aho bakorera imodoka zakwamye (garage) muri brigade ijejwe kubungabunga no gukora imodoka n'ibindi bikoresho vya gisirikare (BMAEM). Ivyo rero nivyo vyahagurukije Umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba kugira yirabire uko ibikorwa biriko biragenda.



Ibikorwa vyo kwubaka ububiko bw'imiti muri BLFDNB biriko bigenda neza

Muri Brigade ijejwe ibikoresho mu gisirikare c'Uburundi, Umushikiranganji Ir Mutabazi Alain Tribert yakiriwe n'uwurongoye iyo Brigade, Lieutenant-Colonel Léonidas Matonde akaba yaciye abanza kumumenyesha ingene iyo brigade itunganijwe n'ingene ikora. Umushikiranganji baciye bamwereka aho ibikorwa vyo kwubaka bigeze nawe araheza arashima ingene biriko biratera imbere.

Arangije urugendo muri Brigade ijejwe ibikoresho, umushikiranganji Ir Mutabazi Alain Tribert yaciye abandanirize urugendo rwiwe muri Brigade ijejwe kubungabunga no gukora imodoka n'ibindi bikoresho vya gisirikare. Ashitse ngaho, naho hari izuba rimena imbwa agahanga, yasanze abubaka bari ku kivi kuva kuri muto gushika k'uwurongoye ivyo bikorwa vyo kwubaka. Muvyo bashikirije, abarongoye iyo Brigade baramumenyesheje ko ibikorwa biriko biratera imbere neza cane. Mu kiganiro umushikiranganji yatanze ahejeje kugenzura ivyo bikorwa, yaramenyesheje ko ashimye aho bigeze, ati : « turashimye intambwe ibikorwa bigezeko ». Yagiriyeko anamenyesha igituma yama yasanze abakozi ku kivi, ati : « Ni vyiza gukwirikiza ingendo y'umukuru w'igihugu, tukaja kwirabira aho ibikorwa bigeze, tukaraba ingorane abakozi boba bafise kugira tuzitorere umuti turi hamwe eka mbere tunabatera intege ».



Inyuma yo kwagura ikibanza co gusanura imodokari muri BMAEM, ico kigo kizoba kigeze ku rugero rwo gusanura imiduga yose ya Leta

Ku bijanye n'ingorane rero yasanze izo Brigade zompi zifise, umushikiranganji yarabahumurije, abamenyesha ko ubushikiranganji arongoye ataco butazokora kugira izo ngorane zitorerwe umuti mu maguru masha.

Yarangije atera intege abari ku kivi ngo bagwize ingoga, maze baheze vuba izo nyubakwa bace batangura kurangura iyindi migambi.

**Capt NZAMBIMANA NORBERT**

# Igisirikare kirwiza umwimbu hamwe n'iterambere

*Mu mwaka wa 2022,urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarakomeje ivyo kwijukira ibikorwa vyo kurwiza umwimbu na cane cane ku bijanye n'uburimyi n'ubworozi kandi umwimbu ukaba ushimishije ugereranije no mu mwaka wa 2021.Ivyo vyose bikaba vyaranguwe biciye mu gisata kijejwe kubika,kubungabunga no gukoresha ibikoresho vya girisikare hamwe n'ibifungurwa co mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.*



*Umurima w'ikawa uramaze gushurika*

Mu ntumbero yo gukurikiza intumbero ya Leta y'Uburundi yo gutunganya kazoza keza ku barundi kugira babeho neza mu bijanye n'ubutunzi n'imibano ,urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwariyemeje kurwiza umwimbu kandi intambwe irashimishije.Mu vyerekeye ivy'uburimyi n'ubworozi,imigambi ijanye no kurima n'ukworora igeze kure cane bimwe biboneka. Ivyo kurima igiterwa c'ikawa catangujwe mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mu mwaka wa 2020,muri kino gihe imirima imwe imwe ikaba iriko irama ikawa.Muri komine ya Butaganzwa,umurima w'ihegitare umunani urimwo ikawa imaze gushurika ,co kimwe n'umurima w'ikawa wo mu Kayanza uri muri hegitare zishika mirongo itatu na zibiri.Muri uno mwaka nyene,harateguwe pipiniyeri izotuma baronka imivyaro y'ikawa yo gutera izindi hegitare mirongo itatu zisigaye. Iyindi mirima y'ikawa ikaba iri mu ntara ya Karusi hamwe no ku Mutukura mu ntara ya Cankuzo,umwimbu aho hose wa mbere ukaba witezwe mu kwezi kwa ndamukiza 2023.

Ku vyerekeye ivy'ubworozi,haratangujwe ivyo kworora ingurube mw'ikambi ya Nyanza-Lac ,bakaba batanguje ingurube mirongo itanu ariko ubu zikaba zararwiriye ku rugero rushimishije. Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rukaba rumaze kugabira izishika amajana abiri amashirahamwe ane. Iya mbere ni ANADECO yo muri Komine ya Kanyosha,iyindi mu Giheta mu ntara ya Gitega na Butaganzwa mu ntara ya Kayanza,n'iyindi yitwa Sangwe Dukoranumwete yo mu Kibogoye mu ntara ya Muramvya aho nayo nyene yaronkejwe ingurube mirongo itanu. Ivyerekeye kworora inka mw'ikambi yo ku Mutukura biriko bigenda neza kuko ubu mw'iraro hari inka 57,muri zo hakaba harimwo 31 z'inzungu hamwe na 26 z'indundi.

### Ibikorwa vyo kubaka inyubakwa za gisirikare bigeze kure

Ibikorwa bijanye n'iyubakwa ry'ihoteri ya gisirikare igezweho mu gisigara ca Gitega bigeze ku ntambwe ishimishije. Ugereranije n'ingene vyari vyifashe mu mwaka uheze wa 2021 aho iyo nyubakwa yari ikiri ku rugero rwo hasi,ubu igikorwa co kwubaka idare yo mw'igorofa ya kabiri cararangiye. Ibikorwa bijanye no gusiga ibihome hamwe no gusasa imbaho imbere y'uko bashirako ivyuma ku dare ya kabiri biriko birarangira.Muri ivyo bijanye no kwubaka ,ishirahamwe CECADM rijejwe kubika no kuguranana ryaramaze gukorera ku cicaro cayo gishasha ,bakaba barindiriye umunsi wo kuyinjira ku mugaragaro.

### Mu basirikare hariho abafise ubumenyi budasanzwe

Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rurafise abasirikare bafise ingabire y'ubushakashatsi bwimbitse. Bamwe muri bo bakaba baragiye hamwe kugira bashire hamwe ubumenyi bafise gutyo barashobora gukora ikirwanisho bita Katiyusha gitera amabombe, kimwe gifise umunwa umwe ikindi iminwa ibiri.Izo nkoho zikaba zishobora kurasa ku birometero umunani zikaba ndetse zidashuha uriko urazirasisha ugereranije n'izo bakomanda hanze y'igihugu.Iruhande yo gukora ivyo birwanisho ,igisirikare c'Uburundi caragize umugambi w'ugukora imodokari.Uwo mugambi ukaba washizwe mu ngiro n'abo basirikare, aho babanje gukora ishasi yayo,uburyo bw'ingene ishobora kugenda hamwe no kwiyumvira karakasi yayo.Kugeza ubu imoteri bakoresheje ni iyo baguze hanze ariko abo basirikare bamenyesha ko bariko bariyumvira uko bokora rwabo mu minsi iri imbere.Iyo modokari imaze gukorwa ikazoshobora gukoreshwa ni hagera iyimbura rya ya kawa nk'uko vyamenyeshejwe na Koroneri Musaba Ernest arongoye igisata kijejwe kubika,kubungabunga no gukoresha ibikoresho vya girisikare hamwe n'ibifungurwa co mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.

### Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwaronse ubuhinga bugezweho bwo gufyatura inyandiko ku buryo buke

Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi rurashimishwa no kuba rwashitse ku mugambi rwihaye wo gushiraho ubuhinga bugezweho bufyatura inyandiko (imprimerie moderne). Ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi rije gushira mu ngiro ihangiro urwego rw'ukwivuna abansi rwihaye ryo kumenyesha abenegihugu n'abasirikare ibikorwa rurangura rubicishije mu guhana amakuru. Uko guhana amakuru bikaba bica ahanini mu kimenyeshamakuru c'urwo rwego nyene Rumurikirangabo, mu matangazo yanditse,mu vyegeranyo, mu dutabo n'ibindi bifasha gutanga amakuru biciye mu nyandiko. Bikazohora kuva ubu bifyaturirwa muri urwo rwego rw'Ukwivuna abansi ku mwanya utegekanijwe kandi hakoreshejwe uburyo buke.

Ubwo buhinga bugezweho bwo gufyatura inyandiko bugiye kuzohora bukoreshwa mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bwashizweho hisunzwe intumbero y'umugambi 2020-2025 y'urwo rwego rwihaye kugirango rushike ku ntego rwiyemeje.

***Maj NININAHAZWE J.M. VIANNEY***

# Kontenja y'indwi y'Uburundi yarakoze birashimwa mu gihugu ca Centrafrika

*I kontenja y'indwi y'Uburundi iri mu gihugu ca Centrafrika mu rwego rwa Minusca irakwije amazi cumi n'abiri mu butumwa bwo gukarukana amahoro n'umutekano. Akarere abasirikare ba Kontenja bose bakoreramwo, umutekano ukaba wifashe neza. Abanyagihugu bico gihugu bakaba barangura imirimo yabo yose atankomanzi.*

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro ibikorwa bitegekanywa na Minusca, abasirikare ba Kontenja y'Uburundi bakorera mu karere ko hagati. Bakaba basabwa n'abarongoye Minusca gukingira abenegihugu n'ivyabo ; gufasha ko ukwishira n'ukwizana mu mabarabara kubikorera ivyabo kuba mu mutekano ntangere. Bagaherekeza kandi banakingira abakozi b'ishirahamwe mpuzamakungu ONU n'ivyabo, abadandaza bakoresha akarere Kontenja ishinzwe, amashirahamwe mpuzamakungu afasha abatishoboye n'abandi bose bakorana.



*Gukingira abenegihugu ba Centrafrika biri mu mwitwarariko w'ingabo z'Uburundi mu rwego rwa MINUSCA*

### *Abasirikare ba Kontenja y'Uburundi baritangira abenegihugu ba Centrafrika*

Koroneri Papiyano Nzeyimana, arongoye Kontenja y'indwi y'Uburundi ikorera muri Minusca avuga ko ibikorwa vyaranguwe n'abasirikare bakontenja biri kurugero rushimishije. Agahagarara ahanini k'ubushobozi, ubumenyi, ubugangutsi, ukwitanga, indero ya gisirikare hamwe n'uguharanira gukora ibikorwa bitanga ishusho ryiza ry'umusirikare w'umurundi arivyo vyaranze cane abasirikare bo mw'ikontenja y'indwi mu gikorwa co kugarukana no kubungabunga amahoro n'umutekano w'abenegihugu n'ivyabo ba Centrafrika. Amenyesha kandi ko ibikorwa vyo gukizura, ijoro n'umurango, mbere rimwe na rimwe bagakorana n'abajejwe umutekano ba Centrafrika bitunganywa ku rugero rushimishije kugirango umutekano usasagare mu karere kontenja yose ijejwe. Ikindi avuga ni ubukerebutsi buranga abasirikare arongoye mu gisata kijejwe gutuza umwansi hamwe n'uwo wese yipfuza guhungabanya umutekano w'inzego zihari hamwe n'abanyagihugu ba Centrafrika.

### *Imigenderanire hagati y'abanegihugu na Kontenja y'Uburundi yifashe neza*

Mu ntumbero yo gutsimbataza imigenderanire hagati y'abarongozi, abenegihugu, inzego z'umutekano hamwe n'abasirikare ba Kontenja y'indwi y'Uburundi, ibikorwa bitari bike vyararanguwe k'ubufatanye bw'izo mpande zose. Major Ahishakiye Deo arongoye igisata kijejwe imigenderanire n'abenegihugu muri Kontenja avuga ko hakozwe ibintu vyinshi bifasha abanya centrafrika mu rwego rwo kubateza imbere. Mur'iyo ntumbero nyene, harashizwe mu ngiro imigambi ibiri. Uwa mbere werekeye gushira amatara mu gisagara ca Sibut aho hashinzwe ama poto ijana atanga umuyagankuba wo mu bwoko bwa Solaire kugira habone neza, uwa kabiri ukaba wari uwo gusanura ibiraro bitatu. Ikiraro ca mbere kikaba kiri mu karere ka Damara, ica kabiri muri Dekowa nayo ikindi kikaba kiri mu karere ka Mala. Iyo migambi uko ari ibiri uburyo bw'ayo bukaba bwatanzwe n'ishirahamwe Minusca.

Major Ahishakiye aranamenyesha iyindi migambi igisata arongoye caranguye. Harimwo gutanga amazi mu duce tumwe tumwe bayakeneye cane, ahanini mu gihe c'ici ; gutanga imfashanyo zitandukanye ku batishoboye zigizwe n'impuzu, ibikoresho vy'ishure, amasabuni hamwe n'ibikoresho vya nkenerwa ku bigeme hamwe no kubakeneyezi. Ikindi yamenyesheje n'igisata kiraba ivy'ubuvuzi aho cafashije mu kuvura abenegihugu b'i Sibut n'abahegereye bakongera bakaronsa imiti itandukanye ibitaro kugira bibandanye bifasha abarwayi.

Umupfasoni Lydia Gahoro, arongoye intara ya Kemo Kontenja y'Uburundi ikoreramwo arashima ibikorwa abasirikare baranguye kuva bashitse mu ntara arongoye. Akaba kandi avuga ko abasirikare b'Uburundi bafise ubushobozi n'ububangutsi bwinshi mu kurangura ubutumwa bwabo. Ikindi amenyenesha n'uko abajejwe intwaro, inzego z'umutekano hamwe n'abenegihugu bakorana neza n'abarongozi ba Kontenja y'Uburundi. Ntiyibagiye kugaragaza akanyamuneza ku gikorwa co gushira umuyagankuba mu gisagara ca Sibut. Kuri we ngo uwo mugambi uzofasha cane gukomeza umutekano mu gisagara ; kurwanya ubusuma bw'ijoro ; ati kandi ko bari hagati mu gihugu bizotuma abana babo bashobora kwiga neza kubera ayo matara.

Uburundi bukaba bwarungitse ingabo zabwo mu gihugu ca Centrafrika mu rwego rwa Minusca mu ntumbero yo kugarukana no kubungabunga amahoro n'umutekano kuva mu mwaka w'i 2014.

***Maj MANIRAKIZA OSCAR***

# Ibikorwa vyaranguwe bishimishije

*Sentare nkuru ya gisirikare na paraki nkuru ikukira sentare nkuru ya gisirikare zararanguye ibikorwa bitari bike muri uyu mwaka wa 2022.Ibikuru bikuru murivyo, harimwo imanza zacitse burundu, kwakira n'ugufasha kwereka abitwaye aho bitura hamwe n'ukwongereza ubumenyi ku bakozi bo mu butungane. Ingendo mirongo itanu (50) zo hagati mu gihugu zarakozwe kandi mu ntumbero yo gushira mungiro imirimo y'ubutungane.*

### *Kuburanisha imanza z'abasirikare, nimwe mu mvo z'ingendo zakozwe*

Ingendo zishika kuri mirongo itanu zarakozwe hagati mu gihugu mu ntumbero yo gutohoza canke kuburanisha imanza z'abasirikare, kugenzura amabohero aho abasirikare baciriwe imanza canke bapfungiwe vy'agateganyo hamwe no kugenzura ibikogwa vy'inyamiramabi za gisirikare (OPJM) iyo bari mu turere dutandukanye twa gisirikare no mu mice mikuru mikuru ya gisirikare.
Kubw'uwurongoye paraki nkuru ikukira sentare nkuru ya gisirikare, colonel Hakorimana Désiré, iruhande y'izo ngendo zakozwe, intahe z'icese n'izo mumwiherero zishika ijana na mirongo itandatu na zibiri (162) zatunganirijwe i Bujumbura canke hagati mu gihugu zaraserukiwe n'umushikirizamanza wa gisirikare.

### *Amadosiye ijana na mirongo icenda n'umunani yarakozwe*

Ku madosiye amajana atatu n'icenda (309) harimwo ijana na mirongo umunani n'umunani (188) yinjiye muri uyu mwaka kuva mu kwezi kwa nzero, ama dosiye ijana na mirongo icenda n'umunani (198) yarasozerewe imanza zirashingishwa mu ma sentare abifitiye ububasha, izindi zirasinywa kugira zishingugwe kubera ivyaha bitabonetse neza, izindi nazo zararungitswe muyandi ma paraki asanzwe kugira amatohoza abandanye ziheze zishingishwe mu ma sentare abifiye ububasha.
Vyongeye, paraki yarakiriye yongera iratunganiriza abayituye bashika 1950 muvyo basaba, harimwo n'ukubafasha kubereka aho bokwitura.

### *Gukurikirana inyigisho zatunganirijwe ku nyamiramabi za gisirikare OPJM*

Kubw'uwurongoye paraki nkuru ikukira sentare nkuru ya gisirikare, mu kwezi kw'umunani gusanzwe ari ukwikiruhuko mu gusasa kw'imanza, abashikirizamanza bagisirikare baritabiriye inyigisho zo gukarisha ubwenge mu bijanye n'umwuga wabo zatunganijwe ku bacamanza n'abashikirizamanza bose. Ubushikirizamanza bukuru bwa gisirikare bwarateguye burongera burakurikirana inyigisho zatunganijwe inyamiramabi za gisirikare (OPJM).

Muriyo ntumbero nyene, sentare nkuru ya gisirikare, iruhande y'ugushimangira ubumenyi bw'abakozi bayo, hariko haraba inyigisho z'abanditsi b'imanza n'abanyamabanga b'ama paraki ya gisirikare bashasha zizomara amezi atandatu zitangwa n'abahinga bakora mukigo kijejwe gukarihiriza ubwenge abakozi bo mu bucamanza co mu bushikiranganji bw'ubutungane (CFPJ). Haratunganijwe kandi ibiganiro vyo guhimiriza abasoda mu mice yose kubijanye n'amategeko agenga abantu n'imiryango, amategeko mpanavyaha ya gisirikare hamwe n'amategeko atunganya sentare za gisirikare n'ububasha bwazo mu ntumbero yo kugabanya ivyaha n'amatati mu miryango y'abasirikare no kubigisha inyifato bogira mugihe habaye ivyaha canke amatati mu miryango yabo canke mu kibano.

### *Harakwiye gushirwa kugihe ibitabo vy'amategeko bikoreshwa*

Uwurongoye ubushikirizamanza bukuru bwa gisirikare agira ati: « Naho ivyo twaranguye ari vyinshi, ntitworeka kuvuga utugorane tumwe tumwe twabaye intambamyi. Intambamyi nyamukuru ijanye n'ibitabo vy'amategeko dukoresha mu kazi ka misi yose. » Yifashishije akarorero avuga ati: « Nk'igitabo kigenga amasentare ya gisirikare n'ububasha bwayo (COCJM), hamwe n'igitabo mpanavyaha ca gisirikare bimaze imyaka irenga mirongo ine (40) bikaba vyari bikwiye gusubigwamwo kugira vyisunge amabwirizwa makuru makuru mashasha nk'ibwirizwa shingiro, ibwirizwa rigenga igitabo mpanavyaha hamwe n'ibwirizwa rigenga amasentare n'ububasha bwayo », nkuko vyamenyeshejwe n'uwurongoye ubushikirizamanza bukuru bwa gisirikare.

### *Kwongereza inguvu mu bikorwa vyo muri kazoza*

Hisunzwe ibikorwa vyategekanijwe vy'umwaka wa 2023 buca utangura, ubushikirizamanza bukuru bwa gisirikare butegekanya gushira mu ngiro imanza nyinshi zishoboka, kugarukira indero runtu y'abasirikare mugushengeza abakoze ivyaha imbere y'amasentare abifitiye ububasha. Butegekanya kandi gushira inguvu mu nyigisho zo kwongerereza ubumenyi ku ntwazangabo z'ubushikirizamanza hamwe n'abanyamabanga bo muri paraki nkuru ya gisirikare.

Iruhande y'ibikorwa vya minsi yose, sentare nkuru ya gisirikare nayo itegekanya kuzokwubaka sentare ya gisirikare na paraki yayo mu karere ka kabiri ka gisirikare mbere bakazoronsa n'ibikoresho inyubakwa nshasha inzego z'ubutungane bwa gisirikare zikoreramwo ziri mu Kigwati. Bategekanya kandi kubandanya gukarihiriza ubwenge abacamanza n'abashikirizamanza, inyamiramabi za gisirikare hamwe n'abanditsi b'imanza, hamwe kandi n'ugushishikara gutunganya ibiganiro ku bijanye n'amategeko agenga abantu n'imiryango, amategeko mpanavyaha ya gisirikare hamwe n'amategeko atunganya sentare za gisirikare n'ububasha bwazo mu ntumbero yo kugabanya amatati n'ivyaha biri mu miryango y'abasirikare no kubamenyesha ingene bokemura ivyo bibazo biciye mu butungane


*Sentare za gisirikare zarashize imbere gukarihiriza ubwenge abakozi bazo*

***Capt HABOGORIMANA J.B.***

# Ivyakozwe birashimishije

*Muri uyu mwaka wa 2022, igisata kiraba amagara y'abasirikare mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwararanguye ibikorwa bitari bike bishimishije. Ivyo navyo bigizwe n'ibikorwa vyo kwongerereza ubumenyi abagize ico gisata, guhimiriza abasirikare kubijanye n'ukwirinda ikiza ruhonyanganda SIDA hamwe n'ugusuzuma itunganywa ry'ukugene imiti ikoreshwa.*

### *Kwitaho kuvura ingwara zo mu mutwe, ni kimwe mu vyaranguwe*

Iruhande y'inyigisho zo kwongerereza ubumenyi zaronkejwe abunganirizi b'abaforoma b'abasirikare kubijanye n'itunganywa ry'ikoreshwa ry'imiti isanzwe irihwa n'ishirahamwe ry'ukuvuza abakozi (Mutuelle), igisata kiraba amagara y'abasirikare mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi cararanguye imirimo yo guhimiriza abasirikare kubijanye n'ukwirinda ikiza ruhonyanganda SIDA hamwe n'isuzuma ry'itunganywa ry'ukugene imiti irihwa n'ishirahamwe ry'ukuvuza abakozi ba Leta ikoreshwa.




*Umugambi ECHO uzotuma abajejwe amagara y'abantu barangura akazi neza*

Mu ntumbero yo gushira imbere gukorana ubunyamwuga ku bakozi bakorera mu mavuriro rusangi ya gisirikare, igisata kiraba amagara y'abasirikare mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, gifashanije n'ishirahamwe PSI-Burundi, haruguruwe icese ubuhinga ngurukanabumenyi bwo guhanahana ivyiyumviro n'inyigisho bubicishije mu mugambi ECHO.

Bafatiye kubikorwa vyategekanijwe vy'umwaka, ico gisata kiraba amagara y'abasirikare carakoze kandi ibikorwa bijanye n'isuzuma ry'itunganywa ry'imiti n'ibikoresho vy'amakontenja ari mu butumwa bwo kugarukana amahoro, kwongerereza ubumenyi abaforoma bafasha ku rubuga rw'ingwano kubijanye n'ukugene bofasha abagize ibibazo vyo mu mutwe hamwe rero no gusanura inyubakwa yagenewe gushingura imiti y' urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.

### *Ibikorwa vya minsi yose navyo nyene vyarabandanije*

Igisata kiraba amagara y'abasirikare carabandanije ibikorwa vya minsi yose hisunzwe ingingo ngederwako zo gukinga ikiza ca korona virusi. Kubw'ivyo, harashizweho umugwi ujejwe gukora ibipimo, kuvura abo basanze bayigwaye bisunze intumbero y'ubushikiranganji bujejwe kubungabunga amagara y'abantu no kugwanya ikiza ruhonyanganda Sida. Ibipimo bitandukanye hamwe n'icanco ku basirikare biteguriye kuja mu butumwa bwo kugarukana amahoro vyarakozwe neza nkuko bisanzwe.

Iruhande y'ivyo, inyubakwa z'ubushinguro bw'imiti zarabandanije kwakira imiti vyongeye n'abasirikare hamwe n'imiryago yabo barakiriwe barafashwa mu buryo butandukanye mu bigo bitandukanye vy'amavuriro ya gisirikare. Kurivyo nyene, amenyesha ati: « Turashimishwa n'iyugururwa ry'ibigo bibiri vy'amavuriro rusangi yo mu Cibitoke no mu Cankuzo muri uyu mwaka », nkuko vyashikirijwe na Lieutenant Colonel Nizigama Désiré, umuganga arongoye igisata kiraba amagara y'abasirikare mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.

Yamenyesheje kandi ko hashizweho uburyo bwo kworohereza abitura ibitaro vy'abisirikare vyo mu kamenge canke ayandi mavuriro ya Leta mu kubavura vyoroshe hakoreshejwe impusha (bons de soins) zitangwa n'ico gisata c'amagara yabasirikare kuri ayo mavuriro asanzwe azakira. Muri iyo ntumbero nyene, ivyo gushigikirana biciye mw'ishirahamwe CASSOM, vyarakozwe hisunzwe amategeko yiryo shirahamwe.

Kugirango igisata kijejwe amagara y'abasirikare gishobore kurangura neza imirimo ya minsi yose cashinzwe, inyigisho zo kwongereza ubumenyi mu vyigwa bitandukanye vyaratunganijwe gifashanije n'ishirahamwe PSI-Burundi, mu ntumbero y'ugushira imbere gukorana ubunyamwuga ku bafasha bose kubungabunga amagara y'abasirikare.

### *Gushinga ikigo ca gisirikare citaho ingwara zo mu mutwe, biri muvyategekanijwe*

Kugirango bafashe gusumba abasirikare n'imiryango yabo, mu minsi iza, igisata kijejwe amagara y'abasirikare mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kirategekanya gutunganya ku buryo bwa none inzu y'ugupimiramwo indwara kw'ivuriro rusangi ry'i Bujumbura no gushinga ikigo c'igororero n'ugufasha kwitegurira kurangura iyindi mirimo yo mu buzima busazwe ku basirikare bafise ikibazo c'ubumuga. Ico gisata kandi kirategekanya gufasha mu gushigikira abafise ibibazo vy'amagara make yo mu mutwe mu basirikare b'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mbere gushika yaho hashingwa n'ikigo ca gisirikare citaho ingwara zo mu mutwe.



*Inyisho z'akanovera zituma akazi karanguka neza*

Icigwa cerekana ukwo ibibazo vy'abafise amagara make yo mu mutwe mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi vyifashe muri kino gihe, kirategekanijwe mu minsi ya vuba, kandi n'abiyemeje gushigikira mu bijanye n'uburyo barabonetse kandi bariteguye gufasha murico cigwa.

***Capt HABOGORIMANA J.B.***

# Ugukingira ibidukikije,kimwe mu mwitwarariko w' igisirikare

*Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruramaze kurangura ibikorwa vyinshi mu gutera ibiti mu ntumbero yo gushigikira wa mugambi w'igihugu Ewe Burundi Urambaye .Muri uno mwaka wa 2022, ibiti bigera ku bihumbi icumi na bitatu nivyo vyatewe mu kibanza ca gisirikare co ku Mutukura.*




*Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwafashe iyambere mu gukingira ibidukikije*

Leta y'Uburundi imaze kubona ko ihindagurika ry'ibihe rishobora kubangamira ubuzima bw'abanyagihugu,yahavuye itanguza umugambi ku rwego rw'igihugu bise Ewe Burundi Urambaye hari mu mwaka wa 2018. Urwego rw'ukwivuna abansi akaba ari rwo rwatewe iteka ngo rurongore uwo mugambi ,aho abarugize bitanga batiziganya kugira uwo mugambi ushobore kuranguka neza. Uko umwaka utashe abasirikare bo mu makambi atandukanye bama bitegurira amatuta y'imivyaro y'ibiti bazotera hageza isekeza ryo gutera.Ibiti vy'imikaratusi bigera ku bihumbi icumi na bitatu akaba arivyo vyatewe n'abasirikare bo muri birigade ya 220 yo ku Mutukura.Imbere yaho ico kibanza ca gisirikare kikaba cari ubugararwa ariko muri kino gihe akaba ata nahamwe hatambaye ibiti. Ivyaranguwe rero mu mugambi Ewe Burundi Urambaye uriko urakwiza imyaka ine birashimishije nk'uko vyamenyeshejwe na Général Niyongabo Prime arongoye uwo mugambi.Ibiti bigera ku bihumbi icumi na bibiri n'amajana atandatu na mirongo ine na kimwe ,n'amajana atandatu na mirongo umunani n'indwi(12.641.687) akaba arivyo bimaze guterwa kuva mu mwaka wa 2018 gushika mu mpera z'umwaka wa 2021 nk'uko vyamenyeshejwe n'uwurongoye umurwi w'abahinga mu mugambi wa Ewe Burundi urambaye ,Général Major Ngendabanka Marius.

### *Naho hari ukwitangira uwo mugambi ingorane zo ntizibuze*



*Ibibanza vya gisirikare bitegerezwa guterwamwo ibiti*

Ingorane zimwe zimwe ziracibonekeza muri uwo mugambi naho benshi mu banyagihugu bawugize rwabo na cane izijanye n'imiriro ya nyakanga,ukurandura ibiti vyatewe n'ibindi nk'uko vyamenyeshejwe n'abarongoye uwo mugambi.Baboneraho batera akamo abanyagihugu bose ngo bakingire uwo murima rusangi w'ibidukikije kugira abarundi bagire ubuzima bwiza haba uno munsi canke no muri kazoza.

### *Abasirikare barafashanya n'abanyagihugu muri uwo mugambi*

Abasirikare bo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ntibagarukiriza ku kugtera ibiti mu makambi canke mu bibanza vya gisirikare gusa , baranifadikanya n'abandi banyagihugu mu gushira mu ngiro uwo mugambi.Nibo henshi bafasha kwunguruza ivyo biti babikura mu matuta babijana aho babitera ,bakanafasha mu kubitera.Abarongoye intara za mwaro,Cankuzo na Kirundo barashima cane intererano y'abasirikare muri uwo mugambi ,aho bavuga ko abo barongoye baronka morare n'ishaka iyo babonye bari kumwe n'abasirikare muri uwo mugambi.

***Maj NININAHAZWE J.M. VIANNEY***